LATANYA D. MCDADE, Ed.D.
*Umugenzuzi w'amashure*

Muvyeyi Dukunda/Murezi:

Kaze kw'ishure rya Prince William County Public Schools (PWCS), ishure rusangi aho indimi zirenga 149 zivugwa. Ubwitange bw'umuryango n'abaturage muri rusangi ni ubwitange bw'ibanze mu Igenamigambi ryacu ry'imyaka ine, kandi ni ishingiro kugira ngo dukorane duharanira gukora itandukaniro mu burezi n'ahazaza h'umwana wawe. Nk'umufatanyabikorwa wawe mu burezi, twiteguye kuguha ubufasha bwa serivisi z'ubusiguzi n'ubusiganuzi ubwo ari bwo bwose ushobora gukenera.

Ibikoresho vyose vy'ishure biri mu congereza; ariko, inyandiko za nkenerwa hamwe n'ubutumwa bwa nkenerwa birasigurwa mu ndimi zikoreshwa cane nabo dukorana. PWCS kandi iratanga abasiguzi b'umwuga hamwe n'abasobanuzi kugira ngo bafashe imiryango ikoresha izindi ndimi gutahura inyandiko z'irimwo amakuru ya nkenerwa. Ibi birimwo uburenganzira bw'umwana n'umuvyeyi, inshingano, ivyitegwa vyabo, n'ibindi bibabazo bifitanye isano n'ishure birimwo inyunku naserivisi zihabwa abanyeshure.

Abasiguzi barashobora kandi gufasha muri serivisi zo gusobanura mu nama z'abavyeyi/abigisha ziga ku bibazo vy'abanyeshure ata mahera basvye.

**Urashobora gukoresha bumwe muri ubu buryo mu gihe ukeneye infashanyo runaka:**

- Kuri iyakure—ja kuri PWCS.edu maze uhitemwo "Auto Translate (Ubwisobanuzi)" canke "PWCS Translations (Ubusobanuzi bwa PWCS)" mu nguni y'ibumamfu yo hejuru kuri iyi paji. Insiguro zikozwe n'imashini nyabwonko zishobora kuba zitari nziza ariko ziba zifise aho zihuriye n'amakuru y'ishure. Niba ata mudasobwa ufise, ja kw'ishure ry'umunyeshure wawe.
- Wewe ubwawe—ja kw'ishure ry'umwana wawe canke kuri kimwe mu bibanza twakiriramwo abantu. Hamagara Manassas Center kuri 571-402-3800 canke Woodbridge Center kuri 571-374-6813. Iyo umusiguzi w'ururimi rwawe adashoboye kuboneka ubwiwe, umukozi azokoresha uburyo bwo gusigura hifashishijwe ivyandiko mu kumenya ururimi ukeneye hanyuma agufashe mu bikorwa bijanye no gusobanurirwa.

Mu gihe uriko urakura kw'ishure ryawe, uzosabwa gutanga ibi bikurikira:

  - Izina ryawe hamwe n'izina ry'umwana wawe;
  - Ishure umwana wawe y'igako, umwaka w'ishure y'igamwo, hamwe n'izina ry'umwigisha;
  - Umuntu (izina canke akazi akora) ushaka kuvugana nawe, hamwe nico muvugana; hamwe n'
  - Inomero ya terefone hamwe n'umwanya mwiza bashobora kukuronkerako.

Niba umwana wawe azanye mu rugo ubutumwa bwishure busaba inama, canke niba wifuza kugirana ikiganiro numwigisha canke umutegetsi wishure, koresha uburyo bwavuzwe haruguru kugirango usabe ubufasha bwa serivisi zubusiguzi. Ibiro vyacu bizaguhamagara vuba vyihuse.

Turiteze gukorana nawe kugirango umwana wawe (abana banyu) bagere ku nsinzi ishimishije!

Murakoze,

LaTanya D. McDade, Ed.D.
Umugenzuzi W'amashure

P.O. BOX 389, MANASSAS, VA 20108 • WWW.PWCS.EDU • 703-791-8712